ISHIRAHAMWE RIHARANIRA AGATEKA KA ZINA MUNTU "ITEKA"

Uwo uri wese ubahirizwa

# ICEGERANYO C'INDWI

## "Iteka n'Ijambo"

***Indwi yo kuva kuwa 24-30 Ntwarante 2025***

## *0. INTANGAMARARA*

Iki cegeranyo cerekana neza ingene agateka ka zina muntu kageze ahatemba kigakorera kandi kumutekano waranzwe n'amabi menshi :abantu 7 barapfuye,harimwo 3 batowe ibiziga muribo harimwo uruyoya rukivuka hamwe na 4 muribo 2 bishwe mu myimenyerezo ya gisirikare y'imbonerakure zo mu ntara ya Cibitoke hamwe n'uruyoya rukivuka.Inyuma y'ivyo, abantu 3 baranyurujwe, 5 bagiriwe ihohoterwa rifatiye kugitsina harimwo 1 yafashwe kunguvu n'umuhungu wiwe, na 2 bahagaritswe bidakurikije amategeko

Kurubwo, ico cegeranyo kirihweza ku burenga nzira bw'abanyagihugu no muri politike ;ubwigenge muvy'ubutunzi n'imibano hamwe n'akaranga, umwihwezo kuri politike,umutekano, muvyo gutwara hamwe n'ubuntu.

Imbonerakure, abapolisi hamwe n'indongozi nibo baza kwisonga mubagirizwa amabi.

**IBICE BIKURU BIKURU**

*I. UMWIHWEZO*

*II. UBURENGANZIRA BW'ANYAGIHUGU NA POLITIQUE*

*III. UBURENGANZIRA M'UBUTUNZI, IMIBANO N'AKARANGA*

# IBIRIMWO

*I. UMWIHWEZO* ... 4

*I.1. Umwihwezo wa politike* ... 4

*I.2. Ishusho y'umutekano* ... 5

*I.3.ISHUSHO Y'INTWARO* ... 8

*I.4. UMWIHWEZO W'IBIHE VY'ABANTU BARI MU NGORANE ZITURUTSE KU NTAMBARA CANKE KU BIZA* ... 9

*II.UBURENGANZI BW'ABANYAGIHUGU NA POLITIKE* ... 9

*II.1. UBURENGANZIRA BWO KUBAHO* ... 9

*II.1.1. Abantu bishwe kubera amatati* ... 9

*I.1.2. Ibiziga vyatowe* ... 10

*I.1.3. Inyuruzwa n'ibugwa irengero ry'abantu* ... 11

*II.2. UKUBAHANA MURI VYOSE* ... 12

*II.2.1 Abantu bafashwe bidaciye mu mategeko* ... 12

*II.2.2. Uguhoterwa bishingiye ku gitsina* ... 12

*III. UBURENGANZIRA M'UBUTUNZI, IBANO N'AKARANGA* ... 13

*III.1. Uburenganzira ku kazi* ... 13

*III.2. Uburenganzira muvy'Indero* ... 14

*III.3. Uburenganzira kumagara* ... 14

*IV.GUHERAHEZA HAMWE N'IBISABWA* ... 15

# *IMPFUNYAPFUNYO*

| | |
|---|---|
| ***API*** | *: Iyunganira mu gukingira Inzego* |
| ***CNDD FDD*** | *: Ihuriro ry'i gihugu riharanira demokarasi-Urwego rwo gukingira demokarasi* |
| ***CNL*** | *: Ihuriro ry'igihugu riharanira kwishira no kwizana* |
| ***DCE*** | *: Umuyobozi w'indero mw ;ikomine* |
| ***DPEA*** | *: Ubuyobozi bw'ubworozi n'uburimyi mu ntara* |
| ***ECOFO*** | *: Ishure shingiro* |
| ***FARDC*** | *: Abasirikare ba Repuburika yiharanira demokarasi muri Kongo* |
| ***FDLR*** | *: Inzego za Demokarasi zo kubohoza u Rwanda* |
| ***FDNB*** | *: Urwego rw'igihugu rw'ivuna abasi mu Burundi* |
| ***FOMI*** | *: Fertilisants Organo-Minéraux* |
| ***HCR*** | *: Haut-Commissariat des Nations Unies pour les réfugiés* |
| ***M23*** | *: Umuhari urwanira amasezerano yo kuwa 23 Ntwarante* |
| ***MSD*** | *: Umuhari wo gushigikirana na demokarasi* |
| ***RDC*** | *: Repuburika iharanira demokarasi ya Kongo* |
| ***SNR*** | *: Igendereza ry'igihugu* |
| ***UPRONA*** | *:Urunani ruharanira iterambere ry'igihugu* |

# I. UMWIHWEZO

## I.1. UMWIHWEZO WA POLITIQUE

Inama y'umugambwe UPRONA muri komine mishiha intaraya cankuzo.

Kuwa 23 Ntwarante 2025, umugambwe UPRONA waragize ikoraniro muri komine Mishiha intara ya Cankuzo.

Leopold Hakizimana,umunyamabanga w'umugambwe kurwego rw'intara niwe yagirishije iyo nama yabereye ku mutumba Mugera. Mw'ijambo ryiwe yaratumiriye abanywanyi b'umugambwe wa Rwagasore gutora UPRONA, hako bareka umugambwe CNDD-FDD ngo wiganze. Yarabasavye kandi ashimitse kurinda itera bwoba ry' urwaruka rw' umugambwe uri ku butegetsi, mu kubibutsa ko igihugu ari ica bose, nkuko umuganwa Rudoviko Rwagasore,incungu y'ukwikukira yabishikirije.

- **Guhimiriza ku matora yimirije mu ntara ya Ruyigi**
- **Inguvu zibonekeza mu mwiteguro w'amatora yimirije zaribonekeje mu ntara ya Ruyigi.**

Muri komine Gisuru, kuwa 25 Ntwarante 2025, kumutumba Ruyaga, Therence Ndikumana, umunyamabanga w'umugambwe CNDD-FDD mw'i komine yarahuye n'abanywanyi.Mw'ijambo ryiwe, yaribukije abanywanyi itariki ikomeye cane y'amatora ategekanijwe muri Rusama rw'uyu mwaka. Yabasavye kuvyuka kare cane kuri uyo musi kugira babone neza ko bose bahejeje gutora imbere y'isaha zine zo mugitondo kugira babone kwisubirira muyindi mirimo.Vyongeye,yarashimangiye ku nterano ingana n'ibiro 5 vy'ibigori kurugo rwose avuga ko ari nkenegwa kugira bategure umugorigori wo kumusi wo kwerekana inguvu wategekanijwe kuwa 12 Ndamukiza 2025 muri komine Kinyinya.

Ababa mu Gisuru,i komine nshasha barerekana akababaro kwigarukanwa ry'intwaro y'umugambwe umwe kubera mw'iyo komine igizwe n'ama komine ya kera nka Gisuru, Kinyinya na Nyabitsinda umugambwe CNDD-FDD wonyene ariwo uzoja ku matora ya 2025.

Muri komine n'intara ya Ruyigi, kuwa 27 Ntwarante 2025, inama y'abanywanyi b'umugambwe CNDD-FDD yarabaye mu Rusengo ku mugwa mukuru wa zone. Amakuru avayo yemeza ko abubahwa benshi bahishikiye, nka Gerard Barutwanayo,umunyamabanga w'umugambwe mu ntara ya Buhumuza,Shabani Nimubona aserukira umuhari w'urwaruka muri CNDD-FDD kugwego rw'intara hamwe n'uwutwara zone Cumba yo muri komine ya Muyinga tutibagiye Fiacre Nkunzimana umunyamabanga w'umugambwe CNDD-FDD ku rwego rwa komine mu Ruyigi hamwe n'abandi batwara umugambwe kugwego rw'ama zone n'imitumba.

Kugira abanyagihugu batororokane kunguvu,isoko ryo mu Rusengo ryagumye rwugaye kuva mu gitondo gushika isaha 10 z'umuhingamo, kandi imiryango yose y'isoko yari icunzwe n'imbonerakure zanatera ubwoba uwagerageza isoko,

Muri iyo nama,abafashe ijambo bose baratumirira abanyagihugu gutora CNDD-FDD mu matora yimirije.Umuhuza ntara w'imbonera kure mw'ijambo ryiwe yaragarutse kundyane zitandukanye z'amoko kuva uburundi bwikukira kugira yereke abari bahari ko umugambwe CNCC-FDD wonyene ariwo ushoboye guhagararira umutekano w'abarundi. Yarategetse abaserukira imbonerakure ku ducimbiri guhindura abana bo mumashure y'intango mu biswi vy'inkona banababahugure kugira bazobe imbonerakure zishobora kugwanira i gihugu.

Ibikogwa vyarangijwe n'igisabisho c'amahoro mu karere k'ibiyaga binini, nk'uko abepisikopi katorika bo mu Rwanda,mu Burundi no muri Repuburika ya demokarasi ya kongo babisavye mu nama iheruka kubera i Tanzaniya. Hari kandi uwakane wanyuma w'ukwezi, umusi wahariwe igisabisho muri CNDD-FDD.

- **Guhimiriza abakenyererarugamba bo muri komine Kigamba ,intara ya cankuzo kumatora yimirije**

Kuwa 23 Ntwarante 2025, inama y'abakenyererarugamba yarakoranye muri zone n' intara ya Kigamba intara ya Cankuzo. Uwuserukira abakenyerera rugamba mu ntara niwe yayigirishije, baboneyeho kuganira kuvyerekeye guhimiriza abakenyezi kugira bitabe amatora yimirije, hamwe n'intambamyi haba

mu mibano canke muri politike. Kabaye n'akaryo ko gutanga amakarata yo kwivurizako kuri ba ntahonikora,muntumbero y'umugambi utanguye inyuma y'igisabisho c'umugamdwe uri ku butegetsi.

- **Urugengo rw'umunyamabanga mukuru w'umugambwe CNDD-FDD mu ntara ya Makamba**

Umunyamabanga mukuru w'umugambwe CNDD-FDD, Reveriyano Ndikuriyo, yaragarutse kumugaragaro muntara ya makamba kuwa 24 Ntwarante, inyuma y'indwi 3 yaramaze agwaye, ivyo yitirira uburuhe buvuye kungendo zitandukanye yagize mumihingo itandukanye y'igihugu. Ishika ryiwe ryamenyeshejwe giturumbuka rituma haba ihimiriza rikomeye ku mabarabara ahuza intara nka Gitega, Rutana na Makamba. Amashure n'ubuzi bwa Reta vyarahagaritse ibikorwa mu ntumbero yo kureka abanyagihugu ngo bamwakirane igishika,batanguriwe n'imbonerakure.

Mwijambo yashikirije mu kibuga ciwe bwite,yarasabikanirije abahari ko ivyiyumviro vyiwe vyagaruka nk'indoto mugihe yari agwaye. Yarashitse kunyifato y'imbonerakure, ku ntambara yo muri kongo, hamwe no ku ntambamyi yahuye nazo muri mwitwarariko w'ubu nonotsi yatanguje,igikombe citiriwe Nkurunziza. Mukwemeza ko azobandanya umugambi wiwe naho hari intambamyi, ategeka abanyagihugu kwitanga mu matora ategekanijwe kuwa 28 Ruheshi haza.

Ariko rero inguvu zakoreshejwe mukuzana abantu habanje kugarwa amashure n'ubundi buzi bwa Reta vyaraneguwe.Abababonye batuma urutoki ikoreshwa ry'inzego kunyungu z'imigambwe.

- **Ikiganiro c'abavugizi b'inzego z'igikugu mu Rumonge**

Kuwa 28 Ntwarante2025, Rosine Gatoni avugira umukuru w'igihugu c'uburundi Evariste Ndayishimiye yarifatiye mugahanga igihugu c'urwanda ngo nibo bagoje iyugurura ry'imbibe z'ivyo bihugu bibiri. Yagwagirije mugihe yari mukiganiro n'abamenyesha makuru mu ntara ya Rumonge,aho yarikoyishura ku kibazo c'umumenyesha makuru yabajije aho imbibe zizugururirwa.

Gatoni yemeje ko u Rwanda ruhaye indaro abarongoye umugwi ugwana Rede-Tabara,ari nabo bavugwa mwigeragezwa ry'itembagazwa ry'ubutegetsi ryahatswe kuba muri 2015 mu Burundi. Kubwiwe,uwo mugwi indongozi z'uburundi zita umugwi w'itera bwoba, uhawe indaro n'urwanda,Yavuze ko atayugurura ryimbibe rizoba abatwara uyo mugwi batarasubizwa muminwe y'ubutegetsi bw'Uburundi ari naco citwazo gikomeye kumvo z'umutekano w'akarere.

Muri Ntwarante 2025, intumwa z'ivyo bihugu 2 zaraganiriye kugira bashireho ivyosabwa kugira imbibe zugurugwe.Naho biri uko,ivyo Ndayishimiye aherutse kuvugira ku samirizi y'abongereza BBC vyazanye amakenga ineza yova mumubonano. Icuka kibi kigumaho mugihe u Burundi burindiriye ko u Rwanda rubaha abo bantu imbere yuko bemera kugurura imbibe.

Imigenderanire hagati y'u Burundi n'u Rwanda haciye imyaka myinshi icumbagira,yungwa n'ivyo vyagiriji vyo guha indaro abarwayi.

## *I.2. Ishusho y'umutekano*

- **Imbonerakure zikizura mwijoro i Butaganzwa, intara ya Ruyigi, kugira bakangure abantu baryamye hafi isaha 6 zo mijoro**

Kuwa 29 Ntwarante 2025,hafi isaha 6 zo mwijoro ku mutumba Maramya, zone Rugongo , muri komine butaganzwa , akagwi k'ugwaruka rw'imbonerakure z' umugambwe CNDD-FDD,harimwo Deo Hegekimana batazira Gasongo aserukira imbonera kure muri zone Rugombo be na Thasiyano Bizimana, Jeremy,Renovat na Alexis barahuriye kuri uwo mutumba mwijoro.Urwo rwaruka rwaciye mu mihana yose irimwo abagabo rurabavyura ,bababamenyesha ko bariko barondera abazogerageza gusiba gukora ibikorwa rusangi bwaca bikogwa kuri ako gatumba, bafatwa nk'ibikongatare mu migambwe itavugarumwe na Reta nka CNL.

Ababa kuwo musozi bavyakira nk'ingendo y'iterabwoba kandi baranegura iyo nyifato y'ugwaruka.Basaba ubutegetsi ko bwofatira ingingo imbonerakure bakemeza ko bahungabanirizwa agateka kabo.Muri ako karere,urwaruka rw'imbonerakure zirakizura mw 'ijoro bakagendera imihana

y'abanywanyi b'imigambwe itavuga rumwe n'u-butegetsi,canacane abo muri CNL. « Ni mutatora CNDD-FDD mu matora yinirije, muzorungikwa iyo abavukanyi bamyu barungitswe muri 2015 »,bikavugwa n'ugwaruka rw'imbonerakure babwira abatavuga rumwe n'ubutegetsi.

Biribonekeza ko ibikorwa vy'umugambwe uri ku butegetsi vyagwiriye cane nko mu makomine yose y'intara ya Ruyigi mugihe amatora yimirije. Ivyo bikorwa vya politike kenshi biba biherekejwe n'ibi-korwa vy ,iterabwoba bigirirwa abanywanyi b'imigambwe itavuga rumwe n'ubutegetsi harimwo no gukizura.

Mushanga, zone de Buhindo, dans la commune de Murwi, et Ndizeye, âgé de 29 ans, de la colline Ru-sororo dans la commune de Rugombo, province de Cibitoke. Ce drame, survenu près du champ de tir de Cishemere, suscite de fortes inquiétudes concer-nant la militarisation des jeunes du parti au pouvoir ainsi que la sécurité des civils.

- **Abimba inzahabu babiri bishwe mu-myimenyerezo ya gisirikare igirwa n'imbo-nerakure mu ntara ya Cibitoke**

Kuwa 25Ntwarante 2015, umwimenyerezo wa gisi-rikare ugirwa n'imbonerakure yahindutse ubwi-canyi mu ntara ya cibitoke,aho abimba inzahabu 2 bapfuye, Gaspard Bazovayo, afise imyaka 29,avuka ku mutumba Rusororo muri komine Rugombo na Pasikari Nsengiyumva ,afise imyaka 32, ava ku mu-tumba Gisaba, zone Ruhindo,muri komine Mur-wi .Iryo sanganya ryaranakomerekeje Tanga, afise imyaka 30, wo ku mutumba Kiramira muri komine Rugombo, Thoma sindakira afise imyaka28, umu-tumba Mushanga zone Buhindo komine Murwi na Ndizeye afise imyaka29, wo ku mutumba Rusororo muri komine Rugombo,intara ya Cibitoke. Iryo bara ryabereye hafi yaho barasira i Cishemere, rizana amakenga kuvyerekeye imbonerakure abasirikare no kumutekano w'abanyagihugu.

Nk 'igihe c'isaha 10 z'umugoroba,abacukura mu kirombwe giherereye aho barasira barashikiriwe n'amasasu yatakaye hamwe n ;ibimanyu vy'ibisasu bita obus , mugihe imbonerakure zariko zimenyere-za igisirikare Ababibonye bavuga ko iyo myimenyerezo ya gisirikare harimwo no kurasa ibi-koho bikomakomeye, bituma abanyagihugu bagira ubwoba burenze.Imbonerakure zafashwa n'abasiri-kare ba FDNB hamwe n'abarwanyi ba FDLR.

Umuntu atashimye kwivuga, yatumenyesheje ko ivyo vyigwa vyoba bifise intumbero yo gutegura ugwaruka ngo ruzoje gufasha abasirikare ba kongo mungwano ibahuza na M23. Kubera ayo makenga aguma aba menshi, abanyagihugu basaba ko iyo myimenrerezo yohagarikwa ubwonyene hafi y 'ahabw abantu, aho bakorere be no kubiraro im-punzi zivuye i congo zicako.

Uwutwara ikambi y'112 iri mu Cibitoke aremeza urupfu rw'abacukuzi 2, akavyita imboneka rimwe. Yaramenyesheje ko ubutumwa bwo kuburira aba-nyagihugu ngo baje kure yaho bwaguma butangwa. Ariko rero arahakana yivuye inyuma uruhara rw 'imbonerakure akavuga ibitandukanye n'intahe twarose.

Urupfu nk'ugo rukaba ruri mu rukwirikirane rw'amasanganya asa n'iyo. Nta n'amezi6 yari ahaciye abantu 8 harimwo abana 6, bapfiriye kun-kengera y'i Cisheme aho barasira, bahitanywe n'ikigwanisho giturika kitateguwe. Bose baribaza ku mutekano w'abanyagihugu mugihe iyo myimenyerezo ya gisirikare yisubiriza n'ihurumbir-wa ry'ugwaruka rw'umugambwe uri kubutegetsa mu bikorwa vya gisirikare.

- **Ihimiriza riteye amakenga ry'urwaruka rw 'imbonerakure hamwe n'abahoze kuru-gamba mu Cibitoke mukwitegurira kuja gushigikira Kongo**

Amakuru yo kwizera aravuga ihimiriza ry'urwaruka rw'imbonerakure hamwe n'abahoze ku rugamba b'umugambwe CNDD-FDD mungoro y'u-mugambwe mu Cibitoke kumugwa mukuru w'inta-ra. Abo bava mu mihingo myinshi,barerekana ama-kenga menshi kuvyerekeye intumbero hamwe n'ukwitanga k'umugambwe uri kubutegetsi muri ivyo bikogwa bishobora guhungabanya umutekano.

Kubwo amakuru ava muribo, urwo rwaruka rwoba ruri mumwiteguro kugira ruje muri kongo gufata ahari ubutare hamwe n'isi yo kurima kandi banas-higikira abasirikare b'abarundi bagwanya inyes-hamba za RED TABARA n'iyindi migwi yitwaje ibigwanisho. Ico gikorwa gishigikiwe na CNDD-FDD muvyo uburyo, buri komine igatanga ifatiye kubo yarungitse Abagwanyi bakomoka mri komine Ntahangwa iri i Bujumbura nibo bonyene baronka

agahembo k'amafaranga.

Abantu bacumbitse mu mazu acubakwa ya CNDD-FDD mu Cibitoke bakaronka ivyo kwifashisha babizaniwe n'imodoka ya Buramatari be n'iya musitanteri wa komine Rugombo. Barindiriye umwambaro n'ibigwanisho, kandi imyimenyerezo ya gisirikare ikogwa kenshi canecane mw'ijoro.Harategekanijwe kandi itangwa ry'umuceri n'ibiharage ku miryango yabo.

Ibikogwa vy'ugwaruka, harimwo imyimenyerezo yo mw'ijoro hamwe no kwiruka batera urukato rutyoza abatavuga rumwe na reta, ubwoko bw'abatutsi hamwe n'indongozi z'urwanda, biratera amakenga cane mu baba mu Cibitoke. Abanyagihugu barabona ata mutekano bagasaba ihagarikwa ryihuta ry'ivyo bikorwa, bakemeza ko umutekano wategerezwa gucungerwa n'ababijejwe atari abanyagihugu canke umugambwe.

- **Ivyigwa vya gisirikare bihabwa urwaruka rw'imbonerakure ruva mu bahoze ku rugamba mu muhari cndd-fdd mu ntara ya Burunga**

Mwikambi yo mu Mabanda iri mu ntara ya Burunga, inyigisho za gisirikare ziriko zigirigwa urwaruka rw'imbonerakure rwavuye mu bahoze ku rugamba nk'inyeshamba za CNDD-FDD. Abababa 50 baserukira abahoze ku rugamba bava muma zone yose y'intara ya Burunga barakiriwe mwikambi. Si bose ntibaja mu bikorwa vy'inyigisho za gisirikare kubera imyaka,ariko mubibaranga baracari bato,kiretse abavyipfuza bagahamvya abandi iyo bahejeje ivyigwa vyo kurasa, canke vyo gusembura no kuzuza ibigwanisho.Benshi baribaza igituma ari abahoze kurugamba rwa FDD be n'imbonerakure aribo bonyene batowe .Abo rero batogwa umwe umwe kuri zone mu ntara 5 zishasha zigize igihugu,kugira bamare amezi 3 bakwirikiranwa n'ababigisha imbere yuko barungikwa mu makambi ya gisirikare y'igihugu. Muvyukuri, izo nyigisho ubu zibera mw'ikambi yo mu mabanda.

- **Ikiraro giteye ubwoba gitera amakenga abantu mu ntara ya Makamba**

Ababa mu makaratiye Mukenke n'abo ku mutumba Kirama mu ntara ya Makamba, barababazwa n'amasanganya arenze abera ku kiraro kiri ku ruzi Kirama. Kuva cubakwa abantu 2 barahasize ubuzima, harimwo umwe haciye indwi 2, hama isanganya riheruka ryakomerekeje cane uwarahaciye.

Ico kiraro ngirakamaro kubenegihugu gikoreshwa imisi yose n'abagwaye,abanyeshure,abadandaza,abarimyi n ;abanonotsi. Abahaba ba baravuga amabi y'ivyo ariko ntibibabuza kwigerezako ngo bashike ku mirimo ya nkenerwa.

Abatware bo kugwego rwa komine Makamba baremera iyo ngorane,ariko basigurako batevye kugikora kubera kubura ibikoresho bijanye n'ico gikorwa. Abaserukira abandi abandi kugwego go mukibano bemeza ko bazosaba imfashanyo kugira haboneke umuti urama, mugihe abahaba bataka abatware na Reta ko bobinyarutsa kugira bakinge ntihasubire kubera ayandi masanganya ahitana abantu. Inyishu z'ubuhinga harimwo nk'ikiraro kigizwe na beto,ikiraro c'ivyuma canke c'ibiti bishigikiwe vyotegekanijwe kugira abagicako bagire umutekano.

- **Imyimenyerezo ya gisirikare igigwa n'imbonerakure mu kwerekana ubukomezi muri komine Nyabitsinda,intara ya Ruyigi.**

Kuwa 29 Ntwarante 2025, ku mutumba Nyagahanda,muri zone na komine Nyabitsinda,intara ya Ruyigi,harakozwe ibikorwa vya CNDD-FDD,murivyo hakaba harimwo urwaruka rw' umugambwe CNDD-FDD ,imbonerakure, zavuye mumitumba yose igize zone Nyabitsinda baje mu bikorwa rusangi. Ibikorwa vya gisirikare vyarateguwe kugira bimenyereze bongere bitegurire umwimenyerezo wo kwerekana ubukomezi bw'umugambwe CNDD-FDD,utegekanijwe kuwa 12 Ndamukiza 2025 muri komine ya Kinyinya.

- **Imyiteguro ku gikorwa co kwerekana ubukomezi gitegekanijwe kuwa 12 Ndamukiza 2025, muri komine Kinyinya , intara ya Ruyigi**

Kuwa 26 Ntwarante2025, ku mitumba nka Gatare na Gasenyi, iri muri zone muhwazi muri komine Nyabitsinda, intara ya Ruyigi, umugambwe CNDD-FDD wateguye kugwego rwa zone inama kugira wibutse abanywanyi bo mukarare inkingi zigize icivugo c'umugambwe CNDD-FDD bongere babatere inkigi bitabe ibikorwa vyo gukomeza umugambwe. Ico gikorwa cafashije kandi

abagumyabanga kwiyemeza igikorwa co kwerekana ubukomezi gitegekanijwe kuwa 12 Ndamukiza 2025 mu Kinyinya.Kuri uwo musi nyene,Adelin Nzohabonayo, umunyamabanga muri zone, yate-getse abagumyabanga kuraba ko abana babo biga gushika no muri kaminuza , kugira baronke urwaruka rwize rushobora kuba imboneza muri kazoza.

## *I.3.ISHUSHO Y'INTWARO*

- **Isozera rya Ramazani ryarononywe n'iduga ry'ibiciro mu ntara ya Cibitoke**

**K**uwa30 Ntwarante2025, mugihe aba islam bo mu Cibitoke bigina umusi mukuru wo gusozera amafungo,iduga ry'ibiciro kubintu vya nkenegwa ryarabononeye umunezero. Iryo duga riraba ibifungurwa bikenewe, ryashize ingo mukangaratete kandi rirateye amakenga. Haraciye ukwezi ibiciro vy'ibifungurwa biduze biteye ubwoba.Umuceri, igifungurwa mbumbarugo, wavuye kumafaranga 4500 usimbira kuri 5500 ku wo hagati na hagati, hamwe no ku mafaranga 5000 gushika kuri 6500 kuwo bita uwambere. Ibiharage, ikindi gifungurwa ca nkenerwa navyo nyene vyaraduze cane, biva kuri 3200 bija kuri 4300 kuvyo hagati na hagati, hamwe no ku 4000 gushika ku mafaranga 6000 kuvyo bita ivyambere. Inyama,ifu y'ibigori n'iyimyumbati, ibiraya hamwe n'ivyambarwa vyakoze navyo nyene vyaraduze ibiciro.

Iryo duga ry'ibiciro rishitse mw'ikena rikabije ry'igitoro, rituma kunguruza ibidandazwa bigora rigatuma kandi biduza ikiguzi. Abanya Cibitoke baridogera kandi itegeko shikiranganji ryo mubushikiranganji bw'ubudandaji rishinga ibiciro ry 'ibidandazwa vya nkenerwa kuribo ryaje gusongera isibe. Kwishavu ry'abanyagihugu, buramatari wa Cibitoke, Careme Bizoza aragabisha abadandaza bikika mukiza akongera akamenyesha ko agiye gushiraho umugwi wubahiriza ibiciro. Aranasaba ingingo zihuta zihuta zo korosha iyinjizwa n'itangwa ry'ibidandazwa kugira batezurire abasumira kumasoko matoya.

Mukurindira inyishu zitomoye,ababa mu Cibitoke bahimbaje iramazani muburyo budashemeye kandi atanicizere kubutunzi.Basaba icokorwa cihuta kandi gishobora guhagarika iduga ry'ibiciro kikanabaronsa ibidandazwa vya nkenerwa.

- **Inama yagirishijwe n'umushikiranganji Martin Ninteretse,kumugwa mukuru w'intara ya Cankuzo**

**K**uwa 26 Ntwarante 2025, munzu y'amakoraniro y'intara ya Cankuzo,Martin Niteretse, umushikiranganji w'intwaro yo hagati mugihugu,iterambere ridakumira n'umutekano yagirishije inama.Yerekeje abarongoye ubuzi muntara hamwe n'abasitanteri abasaba gutororokanya ingorane bahuye nazo muvyo bajejwe.Yarerekanye ko ari ubutumwa bw'umukuru w'igihugu kandi azotanga icegeranyo uko kiri. Mu gusozera,yarasavye gukwirikiranira hagufi ibitagenda neza yongera kwama biteguriye kwigwanira mugihe KAGAME yorungika ibitero,bishobora bishobora kugerageza guhumira uburundi biciye muri Tanzaniya canke muri Kongo. Yarashimikiye kumajambo y'umukuru w 'igihugu. Mw'ijambo ryiwe, hamwe Kagame yotera igisasu i Bujumbura giciye muri Kongo, naho rwoba urusasu rumwe,abarundi boruhukira i Kigari baciye mu Kirundo. Urwo rugendo ntirworenza amasaha atatu n'amaguru.

Vyongeye,kubw'amatohoza, umushikiranganji, yarubuye urudandazwa rwa magendu rukorwa mu gushora ibigori bija muri Tanzaniya, ariko munyuma vyamenyekanye ko bija mugihugu c'u Rwanda.Tanzaniya igomvye kugura ibigori,yogura kugiciro kihasanzwe, avuga ko yamaze kuvugana n'ababijejwe muri Tanzaniya.

## *I.4. UMWIHWEZO W'IBIHE VY'ABANTU BARI MU NGORANE ZITURUTSE KU NTAMBARA CANKE KU BIZA*

- **Iyugagwa ry'aho bakiririwe mu Rugombo :Impunzi zivuye muri kongo ziraburabujwe**

Kuwa 25 Ntwarante 2025. ahakiririwe impunzi zivuye muri kongo mu Rugombo, mu ntara ya Cibitoke,harugawe hataragera,bishira abantu anajana mu mwiheburo.Impunzi zimaze kwanka kuja i Musenyi , mu ntara ya Rutana, ahantu hatagira isuku, indongozi z'Uburundi babatse indaro ivyimfata kibanza.Izo mpunzi bazimye imfashanyo zose ,kuva ubu zitegerezwa gusubira muri kongo, gutayo irambo. Ikibuga c ;'umupira w 'amaguru co mu Rugombo, cari ubuhungiri bwimfata kibanza bw'abantu bavuye i Kongo bahunze itotezwa muburaruko no mu bumanuko bwa Kivu ubu hasigaye ubugaragwa. Indongozi z'abarundi zatanze itegeko ryo kugara ubutarariye, bashira impunzi imbere y'ihitamwo ry'agacamutwe : gusubira muri kongo biteye ubwoba, canke kuja i Musenyi kubaho mubuzima bubi cane.

Kuva kuwa 15 Ruhuhuma2025, izo mpunzi iziva Kamanyola, Katogota,Luvungi, Bwegera, Rubirizi , Rwenena, Mutarule, Sange, Kiriba na Uvira bari barose ubuhungiro mu Rugombo, bahunze intambara igisoda ca kongo gishigikiwe n'abasoda b'abarudi n'inyeshamba za M23.

Umugambi wo kubimurira i Musenyi muri komine Giharo intara ya Rutana, waragwanijwe n'impunzi.. Impunzi ziravuga umucafu uhari,kubura amazi meza, infungugwa n'ivyo bisasira.Naho biri uko, imyidogo y 'impunzi ntiyabujije ishirahamwe HCR n'indongozi z'abarundi kugumizaho iyo ngingo.

Buramatari wa Cibitoke, Careme Bizoza yashikirije ko naho ata muntu yategerezwa guhindurirwa ikirindiro kunguvu, ingendo zo kurenga imipaka zitarekuwe ku mpunzi. Uwaserukiye HCR,atashimye kwivuga, yasiguye iyo ngingo avuga ingingo mpuza makungu zitegeka ko impunzi zija n'imiburiburi ku birometero 150 uva kumupaka.

Kuri iyo ngorane,impunzi nyinshi bafashe ingingo y'umuruho yo gusubira muri Kongo.Bamwe bajabutse uruzi Rusizi, urubibe kama hagati y'uburundi na kongo,bita kuvyago vyo gutwagwa,kuribwa n'ingona canke imvubu.Abandi bava Uvira na Sange, batwawe batwawe imodoka zunguruza abantu hamwe n'iz'igisirikare amaja hirya y'imipaka yo mu Gatumba na Kaburantwa, muri komine Buganda.

Naho amashirahamwe mpuzamakungu yabemereye kubakingira, iryo yugara ryo kunguvu ryarerekanye ishavu ry'impunzi za kongo,ryerekana kandi ko uburongozi budashoboye kubafasha no kubakingira umutekano.

## *II.UBURENGANZI BW'ABANYAGIHUGU NA POLITIKE*

## *II.1. UBURENGANZIRA BWO KUBAHO*

### *II.1.1. Abantu bishwe kubera amatati*

- **Umukenyezi yishwe mu Cankuzo**

Kuwa 29 Ntwarante 2025, muma saha ya 12 z'umuhingamo,muri karatiye yaNdava IV,muri komine n'intara ya Cankuzo,Natoriya Ndimurukundo, afise imyaka 38 yarishwe atemeshejwe umupanga yicwa na Leonard umubanyi wiwe.Uwo yishwe yahowe ko yariko aramwiba ibigori. Kubw'amakuru dukurayo,Nayoriya Ndimurukundo yaciye apfa ubwo nyene ikiziga ciwe gica kijanwa mu buruhukiro ku bitaro bw'ibitaro vyo mu Cankuzo. Uwamwishe yaciye ahunga ahejeje kumwica. Uwo yapfuye yari ahetse uruyoya rw' amezi 3 akaba yari nyina w'abana 5.

- **Umuntu yarishwe muri komine n'intara ya Bubanza**

Inkuru ishirahamwe iteka yarose kuwa 24 Ntwarante 2025 ivuga ko kuwa 23 Ntwarante 2025, ku mutumba Muyange, muri komine n'intara ya Bubanza, Boniface Sibomana, umuyangayanga w'imyaka 32 ari mu mugambwe CNDD-FDD, yaragirijwe ko yishe mutoya wiwe Schadrack Ndayizeye w'imyaka 25, amuzibuye imbuta kubera indyane bafitaniye ry'umwenda w'amafaranga 2000. Inyuma y'imisi 3 ibara riguye, Boniface bamurondeye ntibamutora, bigatera amakenga n'ishavu mubahaba, bibaza ko yoba akingiwe n'indongozi zaho.

Kuwavyiboneye,buca ibara rigwa,impari yambere yaravyutse hagati y'abo bavukanyi babiri zifatiye kuri ayo mahera. Kumusi w'imana mu gatondo, mugihe Schadrac yasanze Boniface iwe,agashavu karongerekanye.Impari zaratanguye,murizo Boniface yoba yakoresheje imbugita mukuzibura mutoya wiwe mugikiriza. Ababanyi bahamagawe n'amaborogo,barabiravye badashobora kubijamwo. Naho bagerageje kumufasha, schadrack Ndayizeye ntiyashoboye kurokoka.

Ahejeje kumwica, Boniface Sibomana yaciye ahunga ubwo nyene akaba yaranyehege. Igipolisi caratanguje amatohoza kandi yarafashe umubanyi iramupfunga muntumbero yo kumubaza nk'icabona.Naho biri uko,abanyagihugu baranegura uburongozi ataco bwagize ngo bufate uwo mwicanyi.

Bamwe mubahaba baragiriza indongozi zo kumutumba gukingira ikibaba Boniface kubera asanzwe ari imbonerakure. « Yari kuba yahagaritswe ubwonyene,ariko ntanumwe ariko aramurondera ashimitse », bivugwa n'uwuhaba atashimye kwivuga.

Ubwo bwicanyi bwatanguje icuka c'ubwoba n'ishavu mubantu b oku Muyange.Benshi basaba ubutungane, bataravye igihagararo c'uwagirizwa. Indongozi zo muntwaro hamwe n'igipolisi baremeza ko amatohoza ariko araba kandi ingingo zose zafashwe kugira Boniface Sibomana afatwe.Ariko rero,agacerere karimwo karerekana amakenga yuko ubutungane bwo kumutumba buhengamye. « Dushaka ko ubutungane bukora kuri bose,ata nkunzi »,bivugwa n'umubanyi.Ubwo bwicanyi bubandanya buvyura icuka i Bubanza, bigatuma bashira ishavu ryinshi kundongozi kugira zifate vyihuta uwagiriwe banatange umuco kuri iryo bara ryahungabanije abanyahihugu.

### *I.1.2. Ibiziga vyatowe*

- **Ikiziga c'uruyoya catowe muri komine n'intara ya Rumonge**

Kuwa 27 Ntwarante 2025, ku mutumba Birimba komine n'intara ya Rumonge,ikiziga c'uruyoya kiriko kirabora caratowe kukagoroba gitorwa n'abana bariko barakinira mu kivi kitubatse.Abahishikiye bavuga ko abana babonye amasazi aremeye ku kiziga cari mu kamwanya baca babwira abantu baba hafi yaho. Amasoko y'inkuru atubwira k ico kiziga cajanywe n'abakozi b'ishirahamwe ry'umusaraba utukura « croix rouge » bafashanije n'ubutegetsi bwo kumutumba harimwo Manasse Gafasha, atwara umutumba Birimba kugira bagihambe

- **Ikiziga caratowe muri komine Rugombo, intara ya Cibitoke**

Kuwa 29 Ntwarante 2025, ikiziga c,umugabo ari mu myaka 30 kitamenyekanye giciwe umutwe hakoreshejwe umupanga caratowe ku mutumba Rusiga, hafi y'inyubakwa ikoreramwo Buramatari, n'uruzi Nyamagana, atari na kure y'ikirindiro kiri muri ako karere cashizweho n'abanywanyi b'imbonerakure.Uwahishikiye avugako imoto yiwe nshasha, yatowe aho hantu atanakimwe yononekaye, akanavuga ko ubwo bwicanyi bushobora kuba bufitaniye isano no kugerageza kwiba vyahindukiye nabi.Ariko, abantu benshi banuganuga uruhara rw'imbonerakure, zama ziriko ziravugwa mubintu bisa n'ivyo.

Kubwo abajejwe umutekano,uwo mugabo yiciwe ku metero zidashika 500 uvuye aho Buramatari akorera atari na kure y'uruzi Nyamagana. Abajejwe umutekano babimenyeshejwe,ubwo nyene baciye batangura amatohoza. Ikiziga cajanywe ku bitaro vya Cibitoke, mugihe indongozi zo mugi polisi zihamagarira abanyagihugu gukorana nabo kugira batore ababikoze.

Intahe twakuyeyo zivuga ko urwaruka rw'imbonerakure zivugwa kenshi mubintu bisa n'ivyo,nko mubwicanyi buheruka mukarere.Isoko ryo ryaho ritwemerera rishimitse ko ugo rwaruka rubifisemwo uruhara naririya ubwo bwicanyi bwabereye hafi y'ibirindiro vyabo biri kunkengera z'uruzi Rusizi, kumupaka wa Repuburika iharanira demokarasi ya Congo.

Abantu bashavuye kubera ayo mabi,batera akamo indongozi gukora amatohoza yimbitse bongere babacungire umutekano mukarere.

- **Ikiziga catowe muri komine Bugendana intara ya Gitega**

Inkuru yashikiriye ishirahamwe Iteka kuwa 24 Ntwarante 2025 ivuga ko ku wa 20 Ntwarante

2025, nk'igihe c'isaha 12 zo mu gatondo, mu mwonga Nyamasagwe utandukanya imitumba Murayi wo muri komine Giheta na Gitongo wo muri komine Bugendana mu ntara ya Gitega, ikiziga ca Habarugira Apollinaire, afise imyaka 42 caratowe. Kubwa Ndayisaba Manace, umukuru w'umutumba Gitongo, uwo muhisi kuwa 19 Ntwarante 2025 yari yagorobeje mu kirabo kimwe mubiri kumutumba Murayi. Uwo mukuru w'umutumba avugako uwo muhisi yishwe n'abataramenyekana, akongerako yagirizwa uburozi n'abantu bo kumutumba bose mbere n'abo mumuryango wiwe. Kubw'umukuru w 'umutumba, umutwe w'uwishwe bawumenaguje imipanga.Abavukanyi b'umuhisi harimwo Twagirayezu Jean Marie na Hatungimana Zephyrin hamwe n'umukenyezi wiwe Seconde bari bafashwe bongera barapfungwa mwibohero ry'i Bugendana kumvo z'amatohoza ariko bararekuwe kuwa 27 Ntwarante 2025 kandi vyahereye ngaho.

### *I.1.3. Inyuruzwa n'ibugwa irengero ry'abantu*

- **Umukukuruke yanyurujwe muri komine Muha, Bujumbura-mairie**

Inkuru ishirahamwe Iteka ryarose kuwa 24 Ntwarante 2025 ivuga ko kuwa 22 Ntwarante 2025 i Bujumbura, Dominiko Ndikumana, yahoze akorera ubushikiranganji bw' indero yanyurujwe n'abakozi b'igendereza. Iryo sanganya riratuma abanyagihugu barazwa ishinga n'umutekano hamwe n'ubuhinga abakozi b'igendereza bakoresha.

Kubivugwa, Dominiko Ndikumana, umunyagiyugu wo muri karatiye Nyakabiga ya 3, ibarabara ry'umunani, muri komine Mukaza yari agiye mugisagara hagati hafi isaha 10 z'umugoroba kuzana « unites star times » aho yacakiwe n'abantu bambaye ibisanzwe yururutse imodoka . Baciye bamwuriza kunguvu imodoka itagira imparati,ica itera ija ku misiyoni « cathedrale Regina Mundi ».

Ababibonye,baramenye ko abobamutwaye ari abakozi b'igendereza ry'uburundi. Umuryango wa Ndikumana uraraje ishinga n'umutekano hamwe n'ukubaho k'uwabo,bakibaza ko atakiriho.

- **Umuntu yanyurujwe muri komine n'intara ya Muyinga**

Kuwa 23 Ntwarante 2025, mu mahwane y'ibarabara muri karatiye Mukoni, muri komine n'intara ya Muyinga, Nkurunziza Schadrack, afise imyaka 33, akora akazi ko kumwa abantu akaba avuka ku mutumba Nyakarama, muri komine Bugabira, intara ya Kirundo, yaranyurujwe n'imbonerakure 3 zamwurije mu modoka TI ifise imparati CA 0444 y'uwitwa Basabose Antoine. Kubwo abahegereye babibonye, umudereva,batazira Kinyenyi, yakorera Shabani Nimubona, atwara imbonerakure muntara ya Muyinga, azwi ku mabi menshi yo guhohotera agateka ka zina muntu muri iyo ntara.Iyo modoka yafashe irija i Gitega, ariko ntawamenye iyo yaruhukiye. Abo mumuryango wiwe bavuga ko bafise amakenga kuvyerekeye umutekano w'uwabo mugihe mugihe batazi aho apfungiwe.

- **Umuntu yanyurujwe hagati mu gisagara muntara ya Gitega**

Kuwa 24 Ntwarante 2025 hagati y'isaha 4 n'igice na 5, hagati mu gisagara ca Gitega imbere y'inyubakwa yiswe « American Corner », Mfitiye Emmanuel afise imyaka 65, umukukuruke akaba n'umunywanyi w'umugambwe MSD yarafashwe aranyuruzwa n'abagabo bambaye impuzu z'igipolisi hamwe n'abandi 2 bambaye umwambaro w'abacungera inzego(API). Kubwo uwavyiboneye, abo bapolisi barongowe na Venant Ndayishimiye, atwara ugwego rw'igenereza mu ntara, bari mu modoka itagira imparati, ifise ibiyo bitabonerana. Mugihe uwo mugabo yari hafi y'urugo rwiwe, abo bapolisi baje n'umukazo, baramufashe hama baramwuriza ubutarariye imodoka ica ifata ibarabara Gitega-Bujumbura. Gushika ubu, abiwe baribaza ko imodoka yoba yarabandanije ija i Bujumbura canke ko yoba ya yaragarutse aho igendereza rikorera i Gitega.

## II.2. UKUBAHANA MURI VYOSE

### II.2.1 Abantu bafashwe bidaciye mu mategeko

- **Umukuru w'ibarabara yahagaritswe muri komine Muha,Bujumbura-Mairie**

Inkuru yashikiriye ishirahamwe Iteka ivuga ko kuwa 18 Ntwarante 2025, umukenyezi batazira « Computer » yahuye n'ivyago vyo gukubagurwa hafi isaha 6 zo mugicugu mu Kinanira ca 2. Yakubiswe n'uwitwa Olivier,amuta mu muserege urimwo amazi y'imvura,abantu baba hafi y'ahabereye iryo bara nibo bumvise amaborogo baca babarira igipolisi.

Igipolisi gifashijwe na KADWINGA umukuru w'ibarabara rya 16 ryo muri iyo karatiye, carahagaritse Olivier congera kiratwara uwagize ivyago aho gikorera hama Kadwinga asu asubira muhira kuryama mu kurindira ko abikwirikirana mugitondo. Ariko,mungingo itangaje, igipolisi casubije uwahohotewe ahabereye iryo bara, aho yasubiye gutotezwa. Umuvukanyi wa Olivier yamutaye mu muserege, nkuko vyemezwa n'abari bahari.

Bukeye bwaho,abo bavukanyi babiri,abapolisi na KADWINGA baragiye kukirindiro c'igipolisi ku kuri zone Musaga kugira bumvirizwe. Umukuru w'ikirindiro ca Kinanira II, NDAYIKEZA Emmanuel, yarahatswe gupfungwa mugabo umutegetsi wo hejuru aravyanka.

Abapolisi baciye kandi bagerageza kurondera KADWINGA kugira abafashe gukinga inkwirikizi mbi kuribo hamwe Computer yohwera,ari ko yrabankiye.Uko kubankira vyatumye abapolisi baha igiturire isura, bituma hapfungwa KADWINGA mukibanza mu kibanza c'abapolisi. Ivyo birerekana ikibazo c'igiturire n'amabi y'intwaro mu nzego z'umutekano.

- **Umuntu yahagaritswe muri komine n'intara ya Muyinga**

Kuwa 24 Ntwarante 2025, niho Siniremera Theodore yarenguka ahakorera inyamira mabi muri komine n'intara ya muyinga. Yaciye apfungirwa mu gipolisi, apfungwa n'uwitwa Gerard batazira Gasongo. Kubw'ababikwirikiranye b'aho, uwo yagize ivyago yari yitavye umutahe w'iyo nyamiramabi kuvyerekeye amatati y'itongo bapfa n'umuntu yitwa Mwarabu.

Kuwa 27 Ntwarante 2025, umushikirizamanza wa repuburika muri sentare nkuru y'i Muyinga niho yamurekura mugihe yari yabagendeye inyuma y'aho bamutereye akamo,umucamanza amaze kubona ko akumba m 2kuri2 kabamwo abapfungwa barenga 200. Yafashe ingingo yo kurekura benshi muribo badapfungiwe ivyaha.Abapfungwa bo mu mabohero y'imuyinga bavuga ko bagwaye ingwara zitandukanye kubera umwanya munini bamara bahagaze mwibohero, bitanakunda ko bicara kubera ubwinshi bw'abantu mu kumba gato cane.

### I.2.2. Uguhoterwa bishingiye ku gitsina

- **Umwigeme yafashwe kunguvu muri komine Butaganzwa intara ya Kayanza**

Inkuru yashikiriye ishirahamwe Iteka kuwa 28 Ntwarante 2025 ivuga ko kuwa 17 Ntwarante 2025 ku gacimbiri Ngara, umutumba Musema, Komine Butaganzwa, intara ya Kayanza ,hafi isaha 12 n'igice z'umuhingamo, IO afise imyaka 5, umunyeshure wo kw'ishure shingiro rya Musema ,yarafashwe ku nguvu na Nsengiyumva Emmanuel, afise imyaka 33.Kubw'abavyeyi w'uwo yakorewe icaha, umwana yariko akina n'abandi igihe uwo yamwononye yamuhamagara agaca amushira inyuma y'inzu batabamwo mukumufata ku nguvu.Abavyeyi biwe bongerako ko inyuma y'iminuta mikeya , babonye umwana aza muhira arira aca avuga ko hari umuntu yamufashe kunguvu kandi ko amuvuze azomukorera ikibi.Uwo nawe yaciye ahunga muri iryo joro nyene ariko yarafashwe n'igipolisi bukeye. Ubwambere yashizwe mw'ibohero rya komine Butaganzwa hama arungikwa mw'ibohero mw'ibohero ry'igipolisi mu Kayanza. Uwakorewe icaha yajanywe ku bitaro vy'imusema kugira avurwe muriryo joro nyene.

- **Umukenyezi yafashwe kunguvu muri komine Kabarore intara ya Kayanza**

Kuwa 25 Ntwarante 2025, hafi isaha 11, ku mutumba Rukere komine Kabarore intara ya Kayanza. Stany Nimubona afise imyaka 30, yariyahuye ahejeje gufata ku nguvu umuvyeyi wiwe afise

imyaka 50. Kubwo uwabibonye, mu gitondo c'uwo musi, umugore wa Stany yazindutse nkuko yahora aja kurondera ibidandazwa. Amaze kugenda, umuhungu wiwe Stany yarungikiye ubutumwa nyina amubwira ko yotebuka akaza kumuraba.Nyina wiwe yaratebutse kandi ashitse umuhungu wiwe yamuhaye igikombe c'ubuyi,akibumira, yaciye afatwa n'itiro ry'umukondorazosi.Yikanguye inyuma y'isaha hafi nk'isaha 12 yumvise urwamo rw'abana ba Stany kubera nabo nyene bikanguye basanga se wabo amanitse ku mugozi munzu mucumba c'intebe, inakuru wabo asinziriye mu ntebe nini. Yikanguye yarabonye ko yafashwe kunguvu aca arabona ko ari umuhungu wiwe yabigize.

- **Umukenyezi yafashwe kunguvu muri komine n'intara ya Ngozi**

Inkuru ishirahamwe Iteka yarosense kuwa 24 Ntwarante 2025, rivuga ko kuwa 23 Ntwarante 2025, ku mutumba Kambati muri zone Mivo mu ntara ya Ngozi, umukenyezi afise imyaka 50 yiswe N G yarafashwe ku nguvu n'umuhungu wiwe Nshimirimana, afise imyaka 30, akaba kwe se na nyina. Kubwo ababibonye baho, uwikekwa ko icaha yari yafashe ibiyayura mutwe , yirukanye se wiwe atera ubwoba nyina n'imbugita. Uwakoze icaha yarafashwe hama yugaranirwa ku kirindiro co kuri zone Mivo kugira habe amatohoza yimbitse. Ifatwa kunguvu ryaremejwe ku bitaro vyo mu Mivo aho uwabikorewe yavuriwe.

- **Umunyeshure yafashwe kunguvu muri komine Buyengero, intara ya Rumonge**

Inkuru yashikiriye ishirahamwe Iteka kuwa 24 Ntwarante 2025 ivuga ko kuwa 24 Ntwarante 2025 avuga ko kuwa 20 Ntwarante 2025, ku mutumba Nkizi, komine Buyengero, intara ya Rumonge , umwigeme yiswe L M, afise imyaka 16, avuka kumutumba Nkizi nyene akaba ari umunyeshure yarafashwe kunguvu na PIERRE tuyisenge w'umurimyi,afise imyaka 22. Yamufashe kunguvu amusanze mumurima hama amukwegera mugashamba. Uwo mwigeme yarakomye induru abahita baraza kumutabara. Uwikekwako icaha yarafashwe yarafashwe ajanwa gupfungirwa mw'ibohero ryo mu gipolisi i Buyengero,aho yarungitswe munyuma mu Rumonge muri Komisariya y'igipolisi c'intara kuwa 25 Ntwarante 2025.Uwafashwe kunguvu yajanywe muri Humura kugira bamukingire ingwara z'ivyaduka.

- **Umwigeme yafashwe kunguvu muri komine n'intara ya Rumonge**

Kuwa 25 Ntwarante 2025, kumutumba Gishasha, komine n'intara ya Rumonge, M N afise imyaka 17 wo kuwo mutumba nyene, yarafashwe kunguvu na Jean Marie Bizoza, imbonerakure y'umugambwe uri kubutegetsi yamwubiriye igihe yari agiye mu murima gusoroma imyumbati. Uwafashwe kunguvu yirukiwe n'abararira ibigazi. Uwafashwe kunguvu yaciye ajanwa muri Humura kugira akingirwe ingwara hama uwikekwako icaha arafatwa ajanwa gupfungirwa mu Rumonge mu Gipolisi.

## *III. UBURENGANZIRA M'UBUTUNZI, IBANO N'AKARANGA*

### *III.1. UBURENGANZIRA KU KAZI*

- **Ihamagarwa ry'abatagira ubuzi kwinjira umugambwe CNDD-FDD kugira baronke ubuzi,muri komine Nyabitsinda ,intara ya Ruyigi**

Kuwa 24 Ntwarante 2025, ku mutumba Ndagiye ,komine Nyabitsinda,intara ya Ruyigi,harabaye inama yagirishijwe na Therance Ndikumana,umukuru w'umugambwe CNDD-FDD kugwego rwa komine,akaba yayigirishije abarondera ubuzi.Iyo nama yari ifise ihangiro yo kubahamagarira kwitaba ibikorwa bitandukanye biteguwe n'umugambwe CNDD-FDD,harimwo n'imyiyamamazo yimirije hamwe no kwitaba inyigisho zo kuganza integuro y'igikorwa gitegekanijwe kuwa 12 Ndamukiza 2025, umusi wo kwerekana ubukomezi bw'urwaruka ruhurikiye muri CNDD-FDD rwo muri komine nshasha ya Gisuru.

- **Ihagarikwa ry'ibikorwa vy'amashirahamwe atwara abantu mu ntara ya Ngozi**

Kuva kuwa 25 Ntwarante 2025, mu ntara ya Ngozi nta shirahamwe ryo gutwara abantu n'ibintu muri 5 (Volcano, Kirezi, Tramwex, Modern cost na Asante Yesu) ryakoze imisi 5. Kubwo abahaba, abatwara ayo mashirahamwe bavuga ko bataronse igitoro. Basigura ko baronka igitoro ku giciro kinini, hafi

20000 y'amahera y'amarundi ku litiro, ntibogumiza kugiciro ca reta. Baradomako ko mugihe boduza igiciro co gutwara abantu ,boronka ibihano bikomeye.Igikorwa cabo carahagaze gushika aho bazoronkera igitoro co kw'ipompo canke naho Reta idugije ibiciro vyo kwiyunguruza kumuntu. Mukurindira, imodoka ntoya bita Hiace canke ama Probox basaba hagati ya 40000 na 60000 y'amahera y'amarundi ku rugendo rwa Ngozi-Bujumbura.

## *III.2. UBURENGANZIRA MUVY'INDERO*

- **Intererano vy'agahato hagati mu mwaka w' ishure mu buyobozi bw'indero mu ntara ya makamba**

Mu ntara ya Makamba,indongozi zo hejuru kugwego rw'intara zarafashe ingingo yokwegeranya ibigori kugira bafashe abanyagihugu bo mu Kirundo barembejwe n'inzara. Kuri ubwo, abajejwe indero bose kugwego rwa komine bateguye itoza ry'ibigori kw'itegeko baciye kubanyeshure, gushika aho birukana abatashoboye kuzana ikintu,hari kuwa 21 Ntwarante kandi mu buyobozi bwose kugwego rw'amakomine. Umunyeshure wese yabwirizwa gutanga ikiro kimwe : abari kure y'imiryango yabo babwirizwa kuja kw 'isoko, bituma bagabanura utwo bahora bafungura kumusi. Ikiraje ishinga, n'uko ivyatojwe bibitswe mu nyubakwa z'umugambwe CNDD-FDD aho gushirwa munyubakwa y'amanama ya komine canke ikibanza ca Reta kizwi.

Kkuvyerekeye abanyagihugu, umutumba wose ubwirizwa gutanga ibiro 30 kandi n'abonyene bazana ivyatojwe muri ubwo burere nyene,ivyategerezwa gukurikiranirwa hagufi.Ubuyobozi bw'indero muntara ya Makamba ku rwego rw'intara rukwirikiza ivyo bwategetswe n'indongozi zo hejuru.

- **Abanyeshure bitaba kunguvu ibikorwa vya politike vy'umugambwe CNDD-FDD muri komine n'intara ya Cankuzo**

Kuwa 22 Ntwarante 2025, abanyeshure bose bo mu mashure yo mugisagara ca Cankuzo, yaba aya Reta canke ayigenga, harimwo Lycee communal de Cankuzo, Ecole paramedicale de Cankuzo, Lycee Stan Food de Muterero, ETS Cankuzo, Lycee Espoir de Cankuzo, College Pleine Evangile de Cankuzo, ECOFO Cankuzo I, na Ecole Lueur des Elites, kuva mumwaka w'indwi no kurenga, bahawe itegeko ryo kuja ku kibuga c'inkino ca Buhumuza atawuvuyemwo, muntumbero yo kwiga akarangamutima k'umugambwe CNDD-FDD no kuzotora uwo mugambwe atanumwe avuyemwo mu matora yimirije. Mu mashure amwamwe, nka Lycee communal de Cankuzo,barahamagaye kugira babone abasivye. Abaza kw'isonga munyigisho z'icivugo harimwo Beatrice Hakizimana, DCE Cankuzo n'umuhanuzi wa Buramatari muvyo imibano, Evelyne Tuyisenge. Kuri bamwe, ivyo ni ubusuma bw'amatora, mugihe abandi babifata nk'iterabwoba mukurengera itegeko rigenga amatora. Kandi ni uburyo bwo kwiyamamaza hataragera.

## *III.3. UBURENGANZIRA KUMAGARA*

- **Akaranda ka suna yo murushato mu ntara ya Bururi**

Haraciye amezi abiri suna yo murushato yibonekeje mu ntara ya Bururi. Inka 10zarapfuye , izishika 20 nazo zifise ibimenyetso vy'iyo ngwara. Inka 21 muri komine Bururi,22 muri Komine Matana, hamwe n' inka 78 zifise ibimenyetso z'ako karanda zaraharuwe muri komine Songa.

Kubwo amakuru ava mu buyobozi bw'ubuyobozi bw'uburimyi n'ubworozi muntara ya Bururi, imiti n'incanco birahari. Abatware bo muntara ya Bururi baramaze kubuza itembera ry'inka mu misozi. Basaba aborozi kugumiza ubusho bwabo mumpongore kugira bakinge irandagata ry'ako karanda.

## *IV.GUHERAHEZA HAMWE N'IBISABWA*

Ishirahamwe Iteka riradoma urutoke ridahengeshanya itituka ry'agateka kazinamuntu riguma ryibonekeza mu Burundi rikongera rikiyamiriza ukudahana abagirizwa ivyaha. Rimaze kubona igihugu kigeze ahatemba,ishirahamwe Iteka riratera akamo kihuta kugira ngo indongozi z'u Burundi zifate ingingo z'ubutarariye kugira ayo mabi ahagarare kandi zironse ubutungane n'ukungana kubavukagihugu :

♦ **Ku mushikiranganji w' ubutungane** :

⇒ Gutsimbataza ubuhinga mukuzuriza abantu hamwe n'amatohoza adahengamye mugutohoza ku mabi akoregwa abantu budahengamye bukongera bugahana abayagirizwa.

♦ **Ku Nzegu z' umutekano w'abanyagihugu :**

⇒ Gutohoza n'ugukwirikirana kitiziganya, kwagiriza no guhana hakwirikijwe amategeko abagirizwa amabi yakozwe, nk'ay'imbonerakure n'abapolisi bataravye ugwego canke igihagararo c'uwagirizwa.

♦ **Kw'Ishirahamwe mpuz'amakungu riraba impunzi kw'isi « HCR » n'ayandi mashirahamwe adaharanira inyungu za polotike araba ivy'abantu :**

⇒ Gukomeza uburaro bwakira impunzi z'abanya kongo hamwe no kubaronsa utwankenerwa muntumbero yo kwitaho umutekano,amagara no kubaho neza kwabo.